
# Bibiliya y'Abana

## Ishikirije



# Ukuvuka Kw'ishengero

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson


Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org


©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.







Yesu amaze gupfa, abagendanye nawe vyabaye ngombwa ko baca baja kwinyegeza. Amaze kuzuka yiyereka abigishwa biwe. Yesu yari muzima! Ariko yariko ategura gutandukana nabo, kugira asubire mw'ijuru aho yari yarabanye n'Imana, se wiwe.


Imbere yo gutandukana nabo, Yesu yabasezeraniye isezerano ko azobarungikira Mpwemu yera, kugira ngo abaremeshe kandi abakomeze. (Yohana 15:26). Igihe cari cegereje. Inyuma y'igihe gito Yesu atandukana nabo, Mpwemu yera araza.
3



Ng'ibi ivyabaye. Abigishwa ba Yesu nk'120 bari bakoraniye munzu bariko barasenga. Ubwo nyene haca hava mw'ijuru igihuhuta nk'umuyaga mwishi.
4



Indimi, zisa n'indimi z'imbeya z'umuriro zibonekeza kuri umwe wese. Bose baca buzuzwa Mpwemu yera-neza na neza uko Yesu yari yarabasezeraniye!
5



Baca baja mumabarabara, abigishwa ba Yesu bavuga indimi batigeze biga. Abanyamahanga bagendera i yerusalemu babumva bavuga mundimi nyishi bavuga ibikorwa bitangaje vy'Imana. Abo bashitsi baratangaye cane. Baravuga bati: "Ko turiko turabumva?" Abandi barabatwenga bavuga bati: "Baborewe umuvinyu utarasha."
6



Ariko Petero arababarira ati: "Ntibaborewe … ibi ni ivyari vyaravuzwe n'umuvugishwa n'Imana Yoweli" Petero aca abibutsa ko imyaka myishi imbere yaho, Imana yari yarasezeranye ko Mpwemu Yera azoza guhezagira no gufasha abantu.
7


Petero abwira abantu ko bakwiye kwihana ivyaha vyabo kandi bakabatizwa mw'izina rya Yesu. "Kandi muzoronka mpwemu yera." Abantu bashika hafi 3000 baramwumvira. Bifatanya n'abigishwa ba Yesu nk'abahimbaza Yesu. Uko umwanya wahera, abantu beshi bagenda biyongera kw'ishengero, ryari ryatanguye k'umusi wo kuza kwa Mpwemu yera.
3000
8


Mpwemu yera azana ubushobozi bwiwe m'ubuzima bw'abantu b'Imana. Umusi umwe, Petero na Yohana bari bajanye mungoro y'Imana kw'isaha yo gusenga. Umuntu yavutse amugaye yari yicaye kw'umuryango w'iyo ngoro. Asaba amahera Petero na Yohana.
9


Petero aramubarira ati: "Ifeza n'inzahabu ntavyo mfise, ariko ico mfise ndakiguha. Mw'izina rya Yesu w'i nazareti, haguruka utambuke." Amufata ukuboko kw'i buryo, aramuhagurutsa. Ubwo nyene aca arahaguruka atangura gutambuka. Yinjirana nabo mungoro y'Imana, atambuka, yiterera hejuru kandi ahimbaza Imana.
10


Igugu rinini ry'abantu rirakorana, batangajwe n'ico gitangaza. Petero avuga ko ari ubushobozi bw'Imana, ariko atari ubushobozi bwabo bwakijije uwo muntu. Petero amaze kwibutsa ko Imana yari yarazuye Yesu, abakuru b'ingoro y'Imana bafata Petero na Yohana babashira mw'ibohero. Ariko abantu bashika 5000 bizera Yesu.
11


Bukeye bwaho, Petero na Yohana bari bahagaze imbere y'abatware b'abantu. Barababaza bati: "ni ububasha ki canke ni mw'izina rya nde mwakoze ivyo?" Maze Petero, yuzuye mpwemu yera aravuga ati: "Ni mw'izina rya Yesu w'i nazareti, uwo mwabamvye, Imana ikamuzura mubapfuye, ni kubwiwe uwo muntu aboneka yakize imbere yanyu."
12



Petero arabandanya atabwoba ati: "Ntarindi zina musi y'ijuru abantu bahawe baronkeramwo agakiza." Abafarisayo badashatse ko abantu bizera Yesu, bakubita cane Petero na Yohana. Bababuza kuvuga mw'izina rya Yesu.
13


Petero yari yarigeze kwishura kubwa Yesu umusi umwe. Ariko hari imbere y'uko Mpwemu yera aza. Ariko ubu nta muntu n'umwe yashobora kumutera ubwoba.
14



Petero na Yohana barishura: "Mutu bwire nivyaba ari vyiza imbere y'Imana kwumvira mwebwe kuruta kwumvira Imana. Kuko tudashobora kureka kuvuga ivyo twabonye n'ivyo twumvise."

15





Bamaze gusubira kugirirwa nabi, Petero na Yohana barabarekura. Abakozi b'Imana b'abizigirwa biganira bagenzi babo ivyo babwiwe vyose. Maze baca baduza amajwi bose hamwe bashimira Imana. Ubushobozi bwa Mpwemu yera busubira kwiyerekana, kandi ishengero ryari rikiriko riravuka rica ribandanya rigenda rikura.

16

Ukuvuka Kw'ishengero

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Ivyakozwe n'intumwa 1-4

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

17

# Iherezo

55 60

18

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16

19